www.kidworship.kr

# Ivuka rya Kristo

- 2nd story -



10Page

**Uwuvuga** Kera cane mu gisagara Betelehemu muri Nazareti harabaye umwigeme yitwa Mariya, yari umukene kandi ntiyari azi icitwa umugabo yitwa . Mariya yari arehejwe n’umubaji w’intungane yitwa Yosefu. Muri ico gihe Isirayeli yaganzwa n’umwami yitwa Herode yavuye nu gihugu kibanyi. Naho abisirayeli bari mu marushwa y’ingoma ya Herode, bari biteze isezerano ry’Imana kuva kera.

**Abantu** Umusi umwe hazovuka umwana azotubohora. Azodukiza.



11Page


**Uwuvuga** Umusi umwe mw’ijoro Mariya asinziriye, umumalayika Gaburiyeli aramubonekera

**Gaburiyeli** Mariya, ntugire ubwoba. Imana yaguhezagiye kandi yakugiriye neza. Uzotwara inda ya mpwemu yera kandi uzovyara umwana w’umuhungu, uze umwite Yesu. Imana izokomeza ingoma ya Dawidi.

**Mariya** None ko ntararongorwa. Novyara gute?

**Gaburiyeli** Uwo mwana ntazoba uw’umuntu ariko azovyarwa n’ububasha bw’Imana. Azoba umwana bwite w’Imana.

**Uwuvuga** Mariya agira ubwoba ariko yizera kandi yumvira Imana.



12Page

**Mariya** Data, ndi umusavyi wawe. Ni bibe nk’uko ubigomba.

**Uwuvuga** Ico gihe, vyari biteye ubwoba ku nkumi kuvyarira ishushu . Yarashobora kwicishwa amabuye. Kandi Mariya yarashobora guhebwa na Yosefu uwari amukoye. Ataravye inkwirikizi, Mariya yizera kandi yubaha Imana, arayiha amashimwe, arayitazira.



13Page

**Yosefu** Ah…mbega ibi vyoshika gute? Mariya yoshobora gute…yoshobora gute gutwara inda imbere y’uko tubana? Biratuntuza cane…(Ahema cane).

**Uwuvuga** Uwo musore Yosefu yagira yubakane na Mariya yari umuntu w’intungane kandi agororotse. Ariko inkuru y’uko Mariya afise inda aramuciye ivutu. Yosefu yiyumvira kubarira Mariya ko adashoboye kumurongora. Umusi umwe, umumalayika aramubonekera mu nzozi.

| | |
|---|---|
| Umumalayika | Yosefu, mwana wa Dawidi! Yaco utinya kwabira Mariya nk'umugore wawe kuko inda afise ari iya mpwemu yera. Azovyara umuhungu kandi uzomwite Yesu, kuko azoza gukiza abantu ibicumuro vyabo. |
| Yosefu | Ah! Nda…ndabitahuye. |

.....................................................................................................


14Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Yosefu yumvise ayo majambo y'umumalayika, yabira Mariya nk'uko yari yarabimwemereye. Inyuma y'amezi makeyi, Yosefu ajana Mariya, uwo yari afise inda, mu gisagara iwabo, I Betelehemu, kuko umwami w'abaromani yari yategetse ko abantu biyandikisha aho bavuka. Bashika bwije, Yosefu na Mariya babura aho barara; kuko hariho abantu benshi. |

.....................................................................................................


15Page

| | |
|---|---|
| Yosefu | Murasigaranye icumba kigaragara? Umugore wanje agira yibaruke. Ndabiginze mumpe naho koba akumba gatoyi karakwiye… |
| Uwuvuga | Babura aho barara bahava baja kurara mu ruhongore aho inka zirira zikongera zikarara. Muri iryo joro, akana Yesu kar-avuka. Yari Yesu kristo, umwana w'Imana, yari gukiza ivyaha abantu biwe. |